**Bible lessons.** **Lesson 1**
**Genesis 1:1-5**
**Memory verse: "Every scripture is God-breathed and profitable for teaching, for reproof, for correction, and for instruction in righteousness." II Timo 3:16**

**INTANGO Y'IBIRIHO VYOSE. igice ca 1.**

**ICIRWA CA 1:**

**Itang.1:1-5.**

**Ijambo ngenderwako:** << ***ivyanditswe vyose vyahumetswe n'Imana, kandi bifise akamaro mu kwigisha umuntu, kumuhana, kumuhanura, kumutunganya no kumutoza indero nziza mu kugororoka***>> **IITimo 3:16**

**I.Intangamarara**

Guhera uyu musi dutanguye urugendo rurerure rwo kwiga bibiliya igitabo ku kindi, ariko tukazohora duhinduranya ubwuzure bwa kera n'ubwuzure bushasha. Kaze utahure ivyanditwe vyera.

**II.Kubera iki dukwiye kwiga bibilia?**

**a) Bibiliya ni ukuri kuzuye. Kubera iki ?**

• Ikibitwereka ubwa mbere ni uko yuzuye ivyavugishijwe kandi bigashika vyose. Ubuvugishwa bwose bwavuga : ukuza kwa Yesu Kristo, ivuka ryiwe, urupfu rwiwe, ukuzuka kwiwe, n'ugusubira mw'ijuru kwiwe. Ivyavugishijwe vyose vyarashitse. Bibiliya ni ukuri kwuzuye.

Ubwuzure bwa kera bwerekana ko igihe cose umuntu yiyadukije akemeza ko yavugishijwe n'Imana ivyo yavuze ntibishike; yaca ajanwa hanze inyuma y'igisagara agaterwa amabuye. Ivyavugishijwe vyose biri muri bibilia vyarashitse.

•Uyu musi hari ikibazo kibazwa cane ndetse kigatera amadidane menshi abavugabutumwa n'abarongozi b'amashengero benshi:<<Mbega ubu haricariho abavugishwa n'Imana koko?>>

**Abah. 1:1,2** <<***Mu bihe vyinshi no mu buryo bwinshi, Imana yavuganiye na ba sogokuruza kera mu kanwa k'abavugishwa nayo.Muri iyi misi y'iherezo yavuganiye natwe mu kanwa k'umwana wayo.***>> iri jambo riratwereka ko atawoba akiza kwemeza ko hari ibindi bishasha azanye ngo yavugishijwe birenga canke bitandukanye n'iri jambo ry'Imana twahawe na Jambo ariwe mwungere w'ishengero. Bibiliya niwe muvugishwa wacu twemera tukamuha umwanya wose. Hamwe nivyo, ubuvugishwa iyo buje bwigisha abantu kubaha Imana, guheba ivyaha, kuvuga ukuri, gukundana, gushingira intahe Yesu mu mihana, urukundo mu ngo z'abubatse canke gukorera Imana,… ivyo si bishasha ; aba ari ukwibutsa ishengero ico Umwami yarisavye kubahiriza. Vyose bisuzumwe neza.

•Ikitwerereka ubwa kabiri ko bibiliya ari ukuri ni ukuntu iri jambo ryarinzwe imyaka yose gushika n'uyu musi rikiriho.

**Yeremiya 36:1**--- yerekana ingene umwami Yehoyakimu yaturiye igitabo c'ivyo yavugishijwe , akenshi iyo abayuda baba batsinzwe n'abansi babo, abo bansi baca baturira ibitabo vyose, abenshi bagerageje kurirwanya ariko n'uyu musi riracariho. Bibiliya ni ukuri kuko ryarinzwe n'Imana nyene kurisohoza ku bantu.

• ikigira gatatu ni uko ari ryo jjambo ryonyene rishobora guhindura ubuzima bw'umuntu. Umunyavyaha ruhebwa agahinduka umugororotsi yipfuzwa n'abantu. Ryahinduye Zakayo umutozakori acika umwigishwa mwiza wa Kristo.

Umuhungu yitwa John Newton mu mwaka 1725, yari umunyavyaha karuhariwe amaze kwakira ijambo ry'ubuzima aca aririmba iyi ndirimbo *« **Mbeg'ubuntu butangaje umubi nka kizwa…** »*

Igitangaza kiboneka uyu musi si mwenedata Newton ahubwo ni wewe. Ibuka aho Jambo yagukuye n'ibindi bitangaza yagukoreye. Ninde wundi yobigukoreye? Inzu z'amabohero zirabika umunyavyaha ariko ntizimuhindura.

**b) Bibiliya igira ico imarira umuntu.**

Turiga ijambo ry'Imana atari uko ari ukuri gusa ariko kandi kuko rigira ico rimarira umuntu m'ubuzima bwiwe.

Bibiliya niyo soko y'ukuri iha uwizeye ivyankenerwa kugira agumane imigenderanire n'Imana.

Turerekana ibintu bine bikorwa n'ijambo bigatuma twemeza ko Bibiliya igira ico imariye umuntu.

•Niryo ritwigisha ivyizerwa vy'abana b'Imana, hari abivugira ko bamaze kumenya ijambo ry'Imana ariko ntitwemeranya nabo. Twemeza ko isi ikifise inzara n'inyota yo kumva ijanbo ry'Imana.

• Niryo riduhanura. Nukuvuga ritwereka inzira iroranye yo gukurikira rikatwereka aho twakosheje naho turiko tugenda neza.

• Ubwagatatu, riraduhana no kudutunganya: aha niryo rituma ivyaha vyose vyamuteranya n'Imana abiheba burundu kuko ari umuco wamwakiye, ahari urwanko ; urukundo rugashinga imizi, abahukanye bagasubirana sentare itarinze guhamagarwa ;…..

• kumutoza indero: aha niryo rimuhingura rikamwereka ico akwiye gukora n'ubuhinga bwo kubishikako nico atemererwa gugoka nk'umwana w'Imana. nicaremwe gisha.

Kubwivyo turemeza ko ijambo ry'Imana rigira ico rimariye uwuryizeye rikamuha ivyankenerwa vyose. Hatabaye ryo, umukristo yomera nkuwuri amenya kubwivyo kurwana intambara yo kwizera no kunesha isi kuko ariryo kiranishwa c'abizeye Kristo bose mugihe rifadikanijwe no guhimbaza Imana mu ndirimbo.

Ico ijambo ry'Imana risaba si ukuryiga gusa ahubwo ni ukurishira mu ngiro. Gukora ico ridutegeka ahandi ho twomera nk'abanyabwenge b'ivyanditwe

**3.Ingaruka zo kutiga Bibiliya bikwiye.**

•Ntushobora gutsinda inyigisho z'ibinyoma naririya ubu zagwiriye. **I Pet.2:1-2.** Inyigisho zose wumvise ujana nazo kuko utagira imizi mw'ijambo.

•Ntushobora gukura mu buryo bw'Impwemu. Uhorana ugukekeranya ku kuri kw'Imana.

•Ntushobora kumenya ico wigisha abandi mu gihe co kubabwira ubutumwa bwiza;

•Ntushobora guhinduka;…

Kwiga bibiliya nibwo buryo bwa mbere kugira ngo ukure mu kwizera.

Turasaba ko ata muntu yoguma arasenga ngo Imana imuhe gukura mu kwizera. Oya. Ahubwo nasenge yongere yige ijambo ry'Imana.

Kwiga no kwigisha Ijambo ry'Imana si ukubushake bwa muntu, ahubwo ni ibwirizwa.

Ubu tugeze mu gihe uwudafise ico yakiriye akakibika, ashobora kunyeganyezwa n'uwariwe wese amuhendesha utujambo twibinyoma, akazohora ajuragira bikamuviramwo no kwizera ibinyoma akaba arabuze ubugingo kandi wewe yarazi ngo ari mu nzira igororotse.

**II. Gushira mu ngiro.**

Yesu mu gusigura umugani w'umubivyi yavuze ati: "***Imbuto ni ijambo ry'Imana." Luka 8:11.***

Ntawoshobora kwama ivyamwa adafise imbuto (ijambo ry'Imana) mu Mutima wiwe. Muri iki gihe abenshi baraharanira kwitwa amazina y'ibitangaza no kugira ivyubahira mu mashengero ariko badafise ijambo ry'Imana mu mitima ngo babone no kuryotondera. Ntacogira ikimazi kurusha kwakira Jambo ubwiwe ariwe Yesu Kristo yakoreye imitwaro agakura n'ivyaha abari mw;'isi.

Niba wumva ugikeheniwe mw'ijambo rya Yesu; wohaguruka ugasenga vyose biracashoboka.

Lesson 2.

Genesis 1: 1-13

Memory verse: "By faith we understand that the universe has been framed by the word of God, so that what is seen has not been made from things which are visible." Hebr. 11:3

**INTANGO Y'IBIRIHO VYOSE. Igice ca 2.**

ICIRWA CA 2.

Itang.1:1-13

**I.IMANA umuremyi w'ijuru n'isi**

**Umurongo ngenderwako:** << ***Ukwizera niko kwatumenyesheje ko isi yaremwe n'ijambo ry'Imanani co gituma ibiboneka bitaremwe mu biseruka>>*** Abaheb 11:3

Umurongo wa 1,2:<<***Muntango Imana yaremye ijuru n'isi*** >>

• Ijambo rya mbere ni<< Muntango>> iri rishobora gusigurwa ngo: <<imbere yuko habaho ikintu cose mu biboneka n'ibitaboneka;>> aha niho Imana yari itanguye igikorwa. Muyandi majambo; imbere yuko habaho ikintu na kimwe; Imana yariho ni nayo yaciye ishiraho ibi bindi vyose biboneka n'ivyo tutabona.
• Imana irema isi n'ijuru: biboneka ko Imana itahinguye canke ngo iringanize icari gisanzwe ho. Oya. Yaremye bushasha ahatari n'ikintu na kimwe. Niwe Rurema. Tuzokwinga ingene yaremye ibiriho vyose ikoresheje ijambo ryo mu kanwa kayo, ariko k'umuntu igakoresha n'amaboko nayo. Ari naco catumye imuha ubwenge busumba ibiremwa vyose. Yaramukunze. Icaje kuyitangaza ni uko umuntu yahisemwo kumvira no gukorera umurwanizi Satani. Kubera ko umuntu abikora afise ubwenge, azobihanirwa, bikwiranye n'ivyo azoba yarakoze vyose akiri mw'isi. Uku nikwo kuri kw'Imana.

• Ijambo rikurikira ni <<Imana>> iri naryo risobanura mururimi rw'igi heburayo **"Elohim"**, "God of Power" Imana y'ubushobozi. Iri jambo riraduha ukwizera cane kuko umuremyi wacu ari umunyabushobozi bwose. Yarabwiye Mose amazina yayo igihe yagomba kumutuma gukura Abaheburayo muri Egiputa. Ni YEHOVA, NDIHO, UHORAHO. Hari n'abayita ayandi mazina bivanye nivyo ibakoreye.

Muvyirwa vyo mu cete c'abaroma igice ca mbere tuzosanga ko abantu bose kuva kera babayeho biyumvamwo ko hariho Imana, gusa gutahura iy'ukuri bakwiye gusenga bikababagora. Mu gihe aba misiyonari b'Iburaya baja kuvuga ijambo ry'IMANA muri Afirika ntibagenda babigisha ijambo 'Imana', ahubwo berekana Imana y'ukuri bakwiye gukurikira no kwizera. Iki nico gituma ata numwe afise ico azireguza mu rubanza rwayo. **Rom.2** :<< ***Abakoze ivyaha bose, batazi ivyagezwe, bazohanua ivyagezwe bitarinze kwiyumvirwa; kandi abakoze ivyaha bose bazi ivyagezwe bazotsindishwa n'ivyagezwe***>>

• Abahakanyi ntibemera ivy'iri jambo nk'ukuri. Twebwe abizera turavyemera ndetse bigatuma turushiriza gutahura ububasha bw'igitangaza bw'Imana yacu.

Twibuke ko mu gihe ca Nowa ndetse n’ica Mose abantu bagiye bararimbuka kubera ubugarariji bwabo. N’ubu ijambo ry’Imana ritwereka ko niwizera Umwami Yesu uzoronka ubugingo budashira ariko ni utamwizera uzokororerwa mu muriro utazima nk’igihano kubwo ubugarariji canke ukwiyorobeka m’urusengero. Aha niho bakubwira ko inzira ija mw’ijuru yaga.

**II.Gushira mu ngiro**

Niwitegereze ijuru n’isi, umenye ko umuremyi wavyo ari uwuhambaye. Niwe yaremye Umuntu mw’ishusho yayo kugira ngo aze ahore amuha icuhahiro mw’isi. Umuntu yaracumuye, ahitamwo kwibera umunyavyaha. Kubera urukundo rw’Imana ituma Yesu kumucungura biciye mu kubambwa k’umusaraba. Ni ahawe ho kuraba ko ubuzima bwawe bwubaha Imana Ndiho Umuremyi w’ijuru n’isi. Bitari uko; birashoboka kugarura imigenderanire yawe nawe ubu nyene muguhaguruka ugasenga.

Lesson 3.

**Genesis 1: 9-15**

Memory verse: "Therefore let them also who suffer according to the will of God in doing good entrust their souls to him, as to a faithful creator." I Peter 4:19

**IMANA IRAVUGA BIKABAHO. IREMWA RY'IBIRIHO**

ICIRWA CA 3.

**Itang. 1:9-15**

Ijambo ngebderwako: ***"Nuko abababazwa nk'uko Imana igomba ni babitse ubugingo bwabo uwo muremyi wo kwizigirwa, bakore ivyiza."*** **1Petero4:19**

**I.INTANGAMARARA**

Niba umuntu yoshobora Kwemera akoresheJe uKwizera ko Imana yaremye Ijuru n'isi, nKuKo twavyize mu cirwa ca mbere, arashobora no kwemera mu bice bikurikira no kugeza mu vyahishuriwe Yohana aho twiga ko Imana izorema ijuru risha n'isi nsha. Aha tubona ko igitabo c'itanguriro ari co rufatiro ry'ukwizera. inkuru tubandanya dusubiramwo gusoma ni iyi y'irema. Ari nayo rufatiro w'ibiriho vyose.

**II.Imana irwanirira umuntu.**

Inkuru z'ivyirwa vya Bibiliya zifise intumbero yo kwigtisha no guhingura umuntu kugira ahinduke umugororotsi bizomuviremwo gukira igihano c'urupfu categuriwe abatubaha Imana bose. Imana yaremye umuntu imukunda cane ariko tuzobona ingene satani yakoresheje urugo rushasha rwa mbere rw'abubatse n'ubundi buhinga mu mvugo zikinyoma kugira abateze icaha kuko we yaratahura ko niyo bahinduka abanyavyaha imbere y'Imana ibaremye, abazokomoka kuri aba bose bazohora bavukana kamere yo gukora ivyaha k'urugero rwo kubabaza uwabaremye maze Satani akaba abigaruriye. iki rero nico kitwereka ko n'umwana akivuka avukana kamere y'icaha aba ari n'icaha yakuye kuri ba sekuru babanyavyaha.

Mukurwanirira umuntu, Imana yatanze Yesu Kristo ngo abacungure. Iyo Kristo ataza ngo atwoze ibicumuro, ntaworonse ubugingo budashira kuko ivyagezwe vyari vyananiwe gushiraho imigenderanire hagati y'umuntu n'Imana uretse bake bo mu muryango wa Israyeli gusa.

**I.Ikinyoma cemewe.**

Kuva mu mwaka wa 1808, habaye ho inyigisho zabashaka kuzimiza isi bakigisha ko umuntu yavuye mu Nguge ngo agenda arahindagurika kugera aho ageze uyu musi. Abo banasigurako ari naco gituma abana bato bama bariko barasambagura ibitanda baba baryamyeko ngo ni iragi rya basekuru nguge.

Ibi ni ivyo twebwe tudashobora kwemera na gato ibi tubifata nk'ubusazi. Mbega ni kuki izi zindi nguge zitariko zirahindagurika ngo zize zitebe zibe abantu nazo. Aho ni nkuko wofata isake ukayishira mu nzu y'inkokazi uti hinge turindire imyaka amamiriyoni izoteba ite amagi. Hari impavu zitatu zatumye Imana ishima guhishurira abantu ibjianye n'iremwa:

1.Kuduza ukwizera kw'ab'Isirayeri: Imana yo nyene yivugira ko ariwe muremyi, ni nayo yabarongoye ibakura mu gihuga ca Egiputa. Yababwiye ko bayikurikira kandi bakazohora banesha bagacika abanyenkomezi. Aha vyaribikenewe ko bamenya uwo bafatanije urugendo uwariwe. Mose yarashimagiye uguhoraho kwayo.

2.Gutesha agaciro izindi nyigisho zavuga **kubijanye n'iremwa** Nkuko tuvyiga, inyigisho zibinyoma si iza vuba naho iziriho ubu zo zinyegejemwo ubwenge Atari uwariwe wese yobubona uretse gusenga no kwiga ijambo ry'Imana, Imana yahishuye inyigisho zivuga ivy'iremwa kugira abagomba gukira bizere ivyavuzwe n'umuremyi ubwiwe.

**3**. **Kwerekana uburanga bw'Imana:** Muvyukuri iki gice kirerekaba uburanga bw'Imana ubukuru buhebuje bwayo, urukundo rwayo, inkomezi zitangaje zayo, imigenderanire yiwe n'umuntu. iki gice kiragaburwa mwo kubiri..

• Uburebure bw'umusi dukurikije ivyo twiga kwiremwa

• Igikorwa cose cakozwe ku musi waco.

**III. Gusira mu ngiro.**

Ibintu vyose ntivyohozeho, bifise igihe vyaremewe bikabaho. Umunyenkomezi nyene kubirema ni Imana. Uwo niwe Data wa Twese. Petero aravuga ngo: *Nuko abababazwa nk'uko Imana igomba ni babitse ubugingo bwabo uwo muremyi wo kwizigirwa, bakore ivyiza.* Arasaba umutntu wese ari mw'isi ari uworoshe canke uwuhambaye kubitsa ubugingo bwiwe uwo mu muremyi, agakora ivyiza.

Uyo nyene yitayeho abantu yaremye ngo abashoboze gutsinda ikinyoma c'isi abageze kukugororoka; babe bahawe ubugingo budashira.

Niba wumva wipfuza kumubitsa ubugingo bwawe ngo abuzigame, aravyemera. Woshobora guhaguruka ugasenga Kristo yama ari umwizigirwa.

Lesson 4.

**Genesis 1: 9-23**

Memory verse: “But when the fullness of time came, God sent out his son.” **Galat.4:4**

**IMANA IRAVUGA BIKABA igice ca 2**

**ICIRWA CA 4:**

**Itang 1:9-23**

Ijambo ngenderwako:” ***Maze igihe gikwiye gishitse, Imana ituma umwana wayo”.*** **Galati 4:4**

**I.Igikorwa cose cakozwe ku musi Waco.**

**Umusi wa mbere** (***Itang 1:1-5***) hari ibintu bitatu vyaremwe kuri uwu musi

•Imana yaremye umuco. Aha ntihari hariho ikintu kiboneka gitanga umuco, Imana yawuremye uko nyene ari umuco.

• Imana igabura umuco n’umwijima. Imana kububasha bwayo yarabitandukanie umuco ukwawo umwijima ukwawo,

• Imana yita umuco umurango, umwijima nawo iwita ijoro. *turabona* ko Imana Itaremye ibintu n’abantu, gusa yaranaremye n’amazina y’ikintu cose.

***Umusi w***a kabiri iri niryo juru rya mbere ryari ribonetse. niho inyoni ziguruka, igifungu kireremba, iki ni ikirere cagutse cane atawoshobora kubona intango n’iherezo. Hari amazi hejuru y’isi, kw’ijuru kandi yararemye umurwi w’amazi munini aduga nk’umwotsi mu kirere akamanuka yahinduwe imvura.

Ikigeretsweko yararemye uyu mu bumbe w’isi wuzuye kandi ukwije vyose vyokunezereza umuntu n íbindi binyabuzima. Binezereza muvyo bishaka vyose. Nyuma yo gucumura k’umuntu haciye haduka ivyo guteza amagorwa ibiremwa. Impanuka n’ibiza vyinshi birahanze isi. Hari nikindi gihano kiriko kiraza **II Peter3:6** <***ivyo vyatumye isi ya kera amazi ayirengera, iratikira***>, uyu murongo uratwereka ko uburyo Imana yabikoze ubwa mbere. Ku murongo wa 7 ho hatwereka ko amajuru y’ubu hamwe n’isi vyo vyabikiwe igihano c’umuriro. Aha hazohanwa abanyavyaha banse kwakira umwami Yesu.

**II.Imana itunganiriza ibinyabuzima ahantu heza habona.**

Amazi yonyene atwara ibice 74% vy’ isi n’ibiyiriko vyose. Ibi ni ibituma twemera ko vyukuri umuremyi wacu ari n’ubushobozi buhebuje bikadutuma igihe cose wicara ukibaza hanyuma ukayiha icubahiro cayo ikwiriye no kuyishima amashimwe atagira iherezo. Uyu muco yawuremye kugira ngo abantu n’ibinyabuzima bindi yaragiye kurema, bize vyibere ahabona bihimbawe. Yesu niwe muco w’abari mw’isi bose. **Mat.4**:<<***Abantu bari bicaye mu mwijima, babonye umuco mw’inshi, kandi abari bicaye mu gihugu c’urupfu no mu gitutu carwo,***

***Umuco urasiye kuri bo***.>> ikiboneka ni uko abantu benshi banezerezwa n'umuco uretse inkozi z'ibibi.

Kwakira Yesu m'ubuzima bwawe uba wakiwe n'umuco. Umwijima arivyo bikorwa vya kamere y'umubiri birahunga nkuko umwijima ubisa umuco ukamurika.

Mugihe umuntu ataye nzira y'umusaraba, umuco urahunga, umwijima ukinjira. Ariba akarusha akani, yasambana akarusa Ahabu, n'ibindi.   Imana itanga umwindegemvyo w'inzira ukwiye ghitamwo ubwawe. Ariko ico Imana yakugombako ni uko wokwakira umuco ukazobana na Yesu akaramata nkuko yabisezeraniye abamwizera. Bitabaye uko, Imana ntizobura guhana abo bose bagendera mu mwijima.

**Umusi wa gatatu** (Itang 1:9-13)   hari amajambo abiri dukwiye kumenya ngaha:

• Ijambo rya mbere "imeza ivyamwa…".  Aha biraboneka ko ibiti vyaremwe bikuze. Igihe cose Imana iremye ikintu kw'isi ikirema gikuze. Igihe yarema umugabo n'umugore yabaremye bakuze. Nta ruhinja Adamu rwabayeho cane ruhinja Eva. Bari bakuze. Bisigura ko igihe cose Imana iba ihisemwo gukora ikintu icarico cose igikora neza cuzuye kandi kibereye.

•Ijambo rya kabiri niri rivuga <***uko amoko yavyo ari***> aha twiga ko igiti kizovyara igiti, inguge ikavyara inguge, umuntu akavyara umuntu. Uruvangatirane rwose rugizwe umuntu n'igikoko canke igikoko n'ibiti ivyo vyose aba ari ubuhumane imbere y'Imana. Igitangaje ni uko mu gihe tugezemwo hari abasigaye bagomba kuvyaza umuntu n'ibikoko ngo ni ubushakashatsi bugezweho. Ibi ni ivyerekana ko imisi y'iherezo yamaze gushika.

**III.Gshira mu ngiro**

Imana yararemye ibiri n'ubuzima vy'ubwoko bwinshi, bigahora bivyarana uko ibihe bigenda bikuranwa.  ico kwama wibuka ni uko muri ibi vyose harimwo n'umuntu, atagihoraho. Wokwibaza iyo umuntu azotahirira inyuma y'urupfu. Umuco waje mw'isi, ariko ab'ibi ntibawakiriye. Yesu ahagaze k'urugi kugira umwugururire yinjire mu Mutima wawe. Ubaye ubikunze arinjira mubana, niyo wavyanka naho, ubeho ufise ubwoba bw'urupfu.

Lesson 5.

**Genesis 1: 13-31**

Memory verse: "When the morning stars sang together, and all the son of God shouted for joy." **Job 38:7**

**IMANA IRAVUGA BIKABA. IBINDI BIREMWA BIRAREMWA.**

**ICIRWA CA 5:**

**I.Umusi ugira kane**

Itang 1:14-31

Ijambo ngenderwako : « ***Igihe inyenyeri zo mu gaturuturu ziririmbira hamwe n'abana b'Imana bagasamiriza impundu. » Yob. 38 :7***

Imana irema izuba, ukwezi n'inyenyeri Kandi vyose vyaremwe vyikwiJe. Igihe yarema inyenyeri zaciye zirasira mu muco warusanzwe wararemwe kumusi wa mbere. Kubera iki umuco uboneka hano kabiri? Hari impamvu zibiri:

•Umuco uri nico utwibutse nk'abakristo. Yesu ariwe mwami wacu niwe muco w'isi.

•Abakristo berekana umuco wa kristo ku b'isi bose. Niho kandi twibuka I paradizo yo mw'iJuru. Ivyah.21 na 22 hatubwira ko tutazoba tugikeneye umuco w'izuba canke w'ukwezi cane w'inyenyeri wo kurasira iyo paradizo. Imana ubwayo niwo muco waho.

**II.Umusi wa gatanu**

Soma Intang.1:20-23; 26-29

Mu bwenge n'ububasha bw'Imana irema ibiguruka mu kirere n'ibiba mu mazi vyose uko bingana. Irabihezagira ngo bihora birondoka uko ibihe bigenda bikuranwa.

Ibi vyose vyashiriweho guhora bihimbaza Imana kimwe cose uko cabihawe. Bimwe birayiririmbira mu mutwenzi ibindi bikayishima igihe cavyo. Ni ibitangaza. Abahinga ntibarashobora gutora amoko yose yo mu kiyaga no mu kirere uko angana. Umuremyi wavyo arafise ingene yatunganije uko vyose bifungura bikaryama mu mutekano.

Muvyukuri iyaba amafi, impongo, inyoni,…. Vyoshoboye kuvuga vyokwigishiJe kubaha Imana yaremye ijuru n'isi. Burya biratangara kubona abana babantu ukuntu batumvira Imana kandi ari nabo yahaye ubwenge n'ubushobozi kubisumvya.

Wame wibuka ko Imana ibona vyose uyikorere kandi uyubahe uhebe ivyaha vyawe ugire imigenderanire y'ukuri nayo ubuzima bwawe bwose. Ivyo vyose umuntu yiyumvira gukora atashize imbere Imana ni ibimutera imibabaro gusa.

**III.Imana irema Umuntu**

Kuva ku murongo **wa 26** Imana ifata umugambi wo kurema Umuntu kandi mw'ishusho yayo. Kandi vyarabaye. "Tureme umuntu mw'ishusho yacu, ase natwe. Aganze amafi,…"

**IV. kubera iki amacakubiri?**

Ikibazo hano twibaza mbega izi ngorane z'amoko ziteye amatati adahera mw'isi zavuye kuki ko biboneka abantu bose baremwe mw'ishusho y'Imana kandi bakaba bava mu muntu umwe?

Ico twizera ni uko ubutandukane bw'ishusho y'urukoba, uburebure canke ubugufi bwa bamwe n'abandi ari ihindagurika risanzwe nkuko n'imugabo abana n'umugore wiwe naho bovyara abana benshi gute; ata n'umwe aza asa n'uwundi ijana kw'ijana.

Ishengero rifata ko ubutandukane ubwaribwo bwose ari umugisha kubatuye isi. Uwo wese agifise amacakubiri ico afatiye kukugene umuntu yaremwe ni uwa wa mugwanizi kuko ariwe akomokwamwo inyigisho z'amacakubiri.

**v. Gushira mu ngiro**

Uhoraho umuremyi wa vyose, atunganya vyose kugeza no ku muntu. Ibinyenyeri, inyoni n'amafi vyose biriho kandi vyose biriko bishitsa neza ico vyaremewe kimwe cose uko cabihawe.

Umuntu yahawe ubwenge n'ububasha bwo kuganza ibiriho vyose, ikibabaje ni uko ariwe yahisemwo kubabaza Imana gushika naho azicuza ico yamuremeye.

Umwe wese ku gatwe kiwe narabe ko abayeho m'ubuzima bushimisha umuremyi canke akimutera agahinda. Ivyizigiro birahari ni uguhaguruka ukamusenga iki gihe isaha yawe yo kubisa abandi itaragushikako. Niwe muremyi wawe.